


# URUHONGORE KAMA RW'IGIHUGU RWA KIBIRA

## IKIBANZA GIKINGIWE GIFISE IBINYABUZIMA CISANGIJE HAMWE NIVYO GISANGIYE N'IBINDI BIBANZA, HABA MU BURUNDI CANKE MU KARERE BURIMWO

URuhongore kama rw'igihugu rugizwe ahanini n'ishamba ryo ku misozi irwako imvura nyinshi, rukaba rufise uburinganire bugera ku hegitari ibihumbi 40. Urwo ruhongore turusanga ku ntara 4 : Muramvya, Kayanza, Cibitoke hamwe na Bubanza. Kubera rugizwe ahanini n'ishamba, turusangamwo ubwoko bwinshi bw'ibiti **bitandukanye : umuyove, umusebeyi, umudwedwe, umuko, umwuzuzu, umuremera**, umurinzi eka n'ibindi vyinshi.



Imamfu mw'ishamba



Ishamba rya Kibira n'ubwoko bwinshi bw'ibiti

Ku ruhande rw'ibikoko, bimwe bimwe vyarahonye, aho ni nk'ingwe, imbogo, inzovu ; ibindi navyo bigenda bigabanuka kubera uruhigi. Imisambi nayo nyene yarahonye ku nkengera y'iryo shamba kubera ibikorwa vy'uburimyi mu myonga. Ariko rero, muri urwo ruhongore rwa Kibira, haracari ibikoko biri mu bwoko bw'imamfu vyoshobora gukwega ingenzi mu gihe iryo shamba ryo kwubahirizwa.




Inkomo

Hambavu y'uko urwo ruhongore kama rurimwo ibinyabuzima, n'ukumenya yuko ishamba rifitiye akamaro igihugu n'abakibamwo mu gutanga akayaga n'amazi meza, imvura, kugwiza umwimbu biciye kuri twa dukoko dutoyi tuguruka tuba mw'ishamba hamwe no mu gukingira isi ndimwa eka n'ibindi vyinshi vyiza dukenera mu buzima bwa misi yose



Igihinyagi

Inzuzi nyinshi zifise amasoko mu Kibira, bisigura ko amazi yazo akoreshwa mu kugwiza umuyagankuba n'umwimbu w'ibiterwa biciye mu kuvomera indimo cane cane mu kiyaya c'Imbo. Ntawokwibagira n'amsoko menshi y'amashuha abantu bakunda kwotamwo bivura ingwara nyinshi zitandukanye.



***Dukingire urwo ruhongore kama rwa Kibira mu kururinda : imiriro ya nyakanga, uruhigi, uguca n'ukubaza ibiti, ugucukura ubutare, ukurengera n'ugusitura akarimbi, uguca amakara, kururagiramwo n'ibindi***



Ku Mahoro

**Projet « Biodiversité et Aires protégées »**
**Production de cette affiche rendue possible grâce au :**
**Programme des Nations Unies pour le Développement (PNUD) et le Fond pour l'Environnement Mondial (FEM)**